REPUBLIQUE DU BURUNDI

Bujumbura, 21/11/ 2025

MINISTERE DE L'INTERIEUR, DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRE ET DE LA SECURITE PUBLIQUE
CABINET DU MINISTRE

N° 530/5550/CAB/2025

**TRANSMIS COPIE POUR INFORMATION A :**

- Son Excellence Monsieur le Président de la République, avec les Assurances de ma plus Haute Considération ;
- Son Excellence Monsieur le Vice-Président de la République, avec les Assurances de ma très Haute Considération ;
- Son Excellence Monsieur le Premier Ministre, avec les assurances de ma Très Haute Considération ;

**A Monsieur le Secrétaire Général de l'Etat**
**à**
**BUJUMBURA**

**Objet** : Transmission d'un avant-projet de loi portant Protection des données à caractère personnel

Monsieur le Secrétaire Général de l'Etat,

Après intégration des recommandations issues de la réunion du Conseil des Ministres tenue en date du 22 Octobre 2025, j'ai l'honneur de vous transmettre en annexe, l'avant-projet de loi protection des données à caractère personnel pour la suite à y réserver.

Vous trouverez en annexe à la présente ledit avant-projet de loi, son exposé des motifs, ainsi que les recommandations du Conseil des Ministres.

Veuillez agréer, Monsieur le Secrétaire Général, l'assurance de ma haute considération.

**LE MINISTRE DE L'INTERIEUR, DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRE ET DE LA SECURITE PUBLIQUE**

**Hon. Léonidas NDARUZANIYE**

CABINET DU MINISTRE

# PROJET DE LOI PORTANT PROTECTION DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL

# INTEGURO Y'IBWIRIZWA RIKINGIRA IBITOROROKANYWA KU MUNTU BIMURANGA

## EXPOSE DES MOTIFS

## INTUMBERO

### CONTEXTE ET JUSTIFICATION

### IMVO N'IMVANO

Avec le développement de l'informatique et de ses applications, le domaine traditionnel de la vie privée s'enrichit chaque jour de nouveaux éléments. Partie intégrante de ces éléments, les données à caractère personnel se révèlent être des ressources très convoitées. Leur traitement doit se dérouler « dans le respect des droits, des libertés fondamentales et de la dignité des personnes physiques ». De ce fait, la législation sur les données à caractère personnel s'avère être un instrument de protection générale à l'égard des droits et des libertés fondamentales de la personne.

Muri iki gihe, kubera hari iterambere ry'ubuhinga bw'imashini nyabwonko n'ivyo bukoreshwamwo, ku vyahora bigize ubuzima bwo mw'ibanga bw'umuntu haguma hiyongerako ibindi. Muri vyo, twovuga ibitororokanywa ku muntu bimuranga biboneka ko bihurumbirwa n'abandi. Igikorwa c'uguhinyanyura ivyo bitororokanywa gitegerezwa kugirwa «hubahirijwe uburenganzira bw'abantu, uburenganzira ngenderwako bwabo hamwe n'agateka kabo». Kubera ivyo, amategeko yerekeye ibitororokanywa ku muntu bimuranga ategerezwa kuba ari amategeko akingira ivyo vyose umuntu afitiye uburenganzira n'uburenganzira ngenderwako bwiwe.

Malgré le déploiement de l'intranet gouvernemental, le développement du recours à l'informatique dans l'administration, dans les entreprises privées et son utilisation par les personnes, la numérisation du fichier électoral et de la carte d'identité nationale, entraînant ainsi la génération, la collecte et le traitement des données à caractère personnel, le droit positif burundais ne dispose pas de cadre ni de régime juridique de ces opérations. L'objet de la présente loi est de combler l'absence de ce cadre légal.

Naho hashizweho urubuga « intranet » rwa Reta, iterambere ry'ugukoresha ubuhinga bw'imashini nyabwonko mu ntwaro, mu mashirahamwe y'abikorera utwabo hamwe n'ikoreshwa ryabwo rigirwa n'abantu, ugushira ivyatororokanijwe mu buhinga bwa none bijanye n'intonde z'amatora hamwe n'ikarata ndangamuntu yo mu buhinga bwa none rituma haba intango y'ibindi, hegeranywa kandi hahinyanyurwa ivyatororokanijwe ku muntu bimuranga, amategeko yisungwa mu Burundi ntiyategekanije ingene ivyo bikorwa birangurwa hamwe n'ingene bifatwa imbere y'amategeko. Intumbero y'iri bwirizwa ni iyo gushiraho amategeko yari abuze.

La présente loi sur la protection des données à caractère personnel organise divers régimes de protection et règle la question de l'ancrage institutionnel en créant une autorité administrative indépendante chargée de la mise en œuvre des régimes de protection. Il institue donc un organe chargé de la protection des données à caractère personnel placée sous la tutelle du Ministère ayant l'économie numérique dans ses attributions.

Iri bwirizwa rikingira ibitororokanywa ku muntu bimuranga riratunganya amategeko atandukanye yerekeye ugukingira hamwe n'ugutorera umuti ikibazo kijanye n'inzego mu gushinga urwego rw'intwaro rwigenga rujejwe gushira mu ngiro amategeko yo gukingira ibitororokanywa. Harashinzwe urwego rw'igihugu rujejwe gukingira ibitororokanywa ku muntu bimuranga ubushingiranganji muvyo bujejwe harimwo ubutunzi bufatiye k'ubuhinga bwa none.

Enfin, le projet de loi prévoit des dispositions pénales spécifiques mais qui ne font pas obstacle à l'application des dispositions pénales contenues dans d'autres lois notamment le code pénal et la loi portant prévention et répression de la cybercriminalité

Muguheraheza, iyi nteguro y'iri bwirizwa irategekanya ikongera igahana ivyaha vyo kurenga ingingo zo muriri bwirizwa bitabereye intambamyi ishirwa mu ngiro ry'ingingo mpanavyaha ziri mu bindi bitabu vy'amategeko nk'igitabo c'amategeko mpanavyaha n"ibwirizwa rikinga rikongera rigahana ubukozi bw'ikibi bukorwa biciye mu buhinga ngurukana bumenyi.

## STRUCTURE

## INDINGANIZO

La présente loi comprend huit chapitres et 55 articles.

Iri bwirizwa rigizwe n'ibice umunani n'ingingo 55.

Le chapitre premier a trait à l'objet, au champ d'application et s'étend aux articles 1 à 4.

Igice ca mbere cerekeye intumbero, ico ryerekeye, kuva ku ngingo ya 1 gushika ku ya 4.

Le chapitre deux revient sur les conditions de traitement des données à caractère personnel 5 à 16.

Igice ca kabiri, kigizwe n'intumbero y'iri bwirizwa, ico ryerekeye n'insiguro y'amajambo, kiva ku ngingo ya 5 gushika ku ya 16.

Le chapitre trois traite des droits des personnes eu égard aux traitements des données à caractère personnel et comporte les articles 17 à 33.

Igice ca gatatu kivuga ivyerekeye uburenganzira bw'abantu ku bijanye n'ibikorwa vy'uguhinyanyura ibitororokanywa ku muntu bimuranga, kigizwe n'ingingo ziva ku ya 17 gushika ku ya 33.

Le chapitre quatre est consacré aux obligations incombant aux responsables

Igice ca kane carekeye ivyo abajejwe nyamukuru guhinyanyura ivyatororokanijwe

majeurs de traitement ; il comporte les articles 34 à 41.

bategerejwe; kigizwe n'ingingo ziva ku ya 34 gushika ku ya 41.

La chapitre cinq parle de l'organe chargé de la protection des données à caractère personnel et de contrôle de traitement, et comporte l'article 42

Igice ca gatanu kivuga ivyerekeye urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa ku muntu bimwerekeye ubwiwe hamwe n'ugucungera ihinyanyurwa ryavyo, kigizwe n'ingingo ya 42.

Le chapitre six est consacré aux obligations incombant au responsable de traitement des données à caractère personnel ; il comporte les articles 43 à 46.

Igice ca gatandatu carekeye ivyo uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa ku muntu bimuranga ategerejwe; kigizwe n'ingingo ziva ku ya 43 gushika ku ya 46.

Le chapitre sept est dédié aux dispositions pénales ; il s'étend des articles 47 à 51.

Igice c'indwi cerekeye ingingo mpanavyaha; kiva ku ngingo ya 47 gushika ku ya 51

Enfin, le chapitre huit parle des dispositions transitoires et finales ; il s'étend des articles 52 à 55.

Mu gusozera, igice c'umunani cerekeye ingingo mfatakibanza n'izisozera; kiva ku ngingo ya 52 gushika ku ya 55.

*************************************

*************************************

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**,CABINET DU PRESIDENT**

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**PROJET DE LOI N°1/ .........DU ........./ ........./ 2025 PORTANT PROTECTION DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL**

**INTEGURO Y'IBWIRIZWA INOMERO 1/...... RYO KU WA ....../....../2025 RIKINGIRA IBITORorokanywa VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Vu la loi organique n°1/05 du 16 mars 2023 portant détermination et délimitation des provinces, des communes, des zones, des collines et/ou quartiers de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 ritomora rikongera rigashinga imbibe z'intara, iz'amakomine, iz'amazone, iz'imitumba canke iz'amakaritiye vya Repuburika y'Uburundi ;

Vu la loi organique n°1/18 du 07 juin 2024 portant réorganisation de l'administration communale ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/18 ryo ku wa 7 Ruheshi 2024 riringaniza gushasha intwaro y' amakomine ;

Vu le décret-loi n°1/024 du 28 avril 1993 portant réforme du Code des personnes et de la famille ;

Yihweje Itegeko bwirizwa inomero 1/024 ryo ku wa 28 Ndamukiza 1993 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu ;

Vu la loi n°1/004 du 30 avril 1999 portant modification de certaines dispositions du Code des personnes et de la famille relative à la filiation adoptive ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/004 ryo ku wa 30 Ndamukiza 1999 rihindura ingingo zimwe zimwe z'Igitabu c'amategeko agenga Ingo n'abantu ku vyerekeye abana b'abarerano ;

Vu la loi n°1/013 du 18 juillet 2000 portant réforme du Code de la nationalité ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/013 ryo ku wa 18 Mukakaro 2000 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ubwenegihugu ;

Vu la loi n°1/08 du 30 juin 2007 portant

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 30

ratification par la République du Burundi du Traité de la Communauté Est Africaine ;

Ruheshi 2007 ryerekeye iyemezwa na Reta y'Uburundi ry'Amasezerano y'Ishirahamwe ry'ibihugu vya Afirika yo mu Buseruko ;

Vu la loi n°1/28 du 29 octobre 2014 portant prévention et répression de la traite des personnes et protection des victimes de la traite ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014 ryerekeye ugukinga n'ukurwanya urudandazwa rw'abantu n'ugukingira abakorewe amabi ajanye n'urudandazwa rw'abantu ;

Vu la loi n°1/25 du 05 novembre 2021 portant réglementation des migrations au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/25 ryo ku wa 5 Munyonyo 2021 riringaniza ivyerekeye ukwinjira n'ugusohoka mu Burundi ;

Vu la loi n°1/10 du 16 mars 2022 portant prévention et répression de la cybercriminalité au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/10 ryo ku wa 16 Ntwarante 2022 ryerekeye ugukinga n'ukurwanya ubukozi bw'ikibi bukorwa biciye mu buhinga ngurukanabumenyi mu Burundi ;

Vu la loi n°1/22 du 22 août 2024 portant Code des communications électroniques et postales ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 22 Myandagaro 2024 rishinga Igitabu c'amategeko aringaniza ivyerekeye uguhanahana amakuru mu buhinga bwa none n'ibijanye n'amaposita ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

L'Assemblée nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**PROMULGUE :**

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE PREMIER : DE L'OBJET, DU CHAMP D'APPLICATION ET DES DEFINITIONS

## IGICE CA MBERE : INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA, ICO RYEREKEYE N'INSIGURO Y'AMAJAMBO

### Section 1 : De l'objet et du champ d'application

### Agace ka 1 : Intumbero y'iri bwirizwa n'ico ryerekeye

**Article 1 :**

La présente loi a pour objet de mettre en place un dispositif permettant de prévenir et lutter contre les atteintes à la vie privée susceptibles d'être engendrées par la collecte, l'analyse, le traitement, la

**Ingingo ya mbere :**

Iri bwirizwa rifise intumbero yo gushiraho uburyo bufasha gukinga no kurwanya ibishobora kubangamira ubuzima kabanga bw'umuntu bishobora guturuka k'ukwegeranya, ukwihweza, uguhinyanyura,

transmission, le stockage et l'usage, la réutilisation et la suppression des données à caractère personnel.

uguhanahana, ugushingura, ugukoresha, ugusubira gukoresha hamwe n'ugufuta ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe.

La présente loi garantit que toute utilisation de données à caractère personnel, sous quelque forme que ce soit, respecte les libertés et les droits fondamentaux des personnes physiques. Elle prend également en compte les prérogatives de l'Etat, les droits des collectivités locales, les intérêts des entreprises et de la société civile.

Iri bwirizwa ritegekanya ko ikoreshwa iryo ari ryo ryose ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe, mu buryo ubwo ari bwo bwose, ryubahiriza ukwishira n'ukwizana hamwe n'uburenganzira ngenderwako vy'abantu. Rirubahiriza kandi ububasha bwa Reta, uburenganzira bw'inzego z'intwaro z'intango, inyungu z'amashirahamwe atandukanye n'iz'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike.

Elle veille à ce que les technologies de l'information et de la communication ne portent pas atteinte aux libertés individuelles ou publiques particulièrement à la vie privée.

Riritwararika ko ubuhinga bwa none bw'ukumenyesha n'uguhanahana amakuru budahonyanga ukwishira n'ukwizana kw'umuntu canke kw'abanyagihugu na canecane ubuzima kabanga.

**Article 2 :**
La présente loi s'applique à :

1° Tout traitement automatisé ou non des données à caractère personnel par une personne physique, l'Etat, les collectivités locales et les personnes morales de droit public ou de droit privé ;

2° Tout traitement mis en œuvre par un responsable du traitement ou sous-traitant, établi ou non sur le territoire burundais, qui recourt à des moyens de traitement situés sur le territoire burundais, à l'exclusion des moyens qui ne sont utilisés qu'à des fins de transit sur ce territoire ;

3° Tout traitement des données concernant la sécurité publique, la défense, la recherche et la poursuite des infractions pénales ou la sûreté de l'Etat, sous réserve des dérogations que définit la présente loi et des dispositions

**Ingingo ya 2 :**
Iri bwirizwa rikurikizwa ku :

1° Gikorwa cose c'uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe, hakoreshejwe canke hadakoreshejwe ubuhinga bwa none, bigizwe n'umuntu, Reta, inzego z'intwaro z'intango, amashirahamwe ya Reta canke ay'abikorera utwabo ;

2° Gikorwa cose c'uguhinyanyura kiranguwe n'uwubijejwe canke uwagishinzwe n'uwogikoze aba canke ataba ku gataka k'Uburundi, akoresha uburyo bw'uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe buri ku gataka k'Uburundi, havuyemwo uburyo bukoreshwa gusa mu gucisha ibintu ku gataka k'Uburundi birengana ;

3° Gikorwa cose c'uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umutekano w'abanyagihugu, ukwivuna abansi, ukurondera n'ugukurikirana ivyaha bihanwa n'amategeko mpanavyaha canke ibijanye n'umutekano w'igihugu,

spécifiques en la matière fixées par d'autres lois et règlements.

hatirengagijwe ko hariho ivyo iri bwirizwa ritangira uruhusha n'ingingo zivyerekeye bishingwa n'ayandi mabwirizwa hamwe n'amategeko.

Dans le cas où il n'est pas établi sur le territoire burundais, le responsable du traitement ou sous-traitant désigne un représentant établi sur ce territoire sauf si le traitement qu'il réalise est occasionnel, sans préjudice d'actions qui peuvent être introduites à son encontre.

Mu gihe ataba mu Burundi, uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa canke uwo yashinze igikorwa aragena uwumuserukira ari ku gataka k'Uburundi, kiretse ari ivyo ahinyanyura rimwe na rimwe, hatirengagijwe ko ashobora gukurikiranwa n'ubutungane ;

**Article 3 :**
La présente loi ne s'applique pas aux :

1° Traitements de données mis en œuvre par une personne physique dans le cadre exclusif de ses activités personnelles ou domestiques, à condition toutefois que les données ne soient pas destinées à une communication systématique à des tiers ou à la diffusion ;

2° Copies temporaires faites dans le cadre des activités techniques de transmission et de fourniture d'accès à un réseau numérique, en vue du stockage automatique, intermédiaire et transitoire des données et à une seule fin de permettre à d'autres destinataires du service le meilleur accès possible aux. informations transmises.

**Ingingo ya 3 :**
Iri bwirizwa ntirikurikizwa ku :

1° Bikorwa vy'uguhinyanyura ivyatororokanijwe birangurwa n'umuntu mu gihe ariko arakora gusa ibikorwa vyiwe canke vy'urugo rwiwe, ariko ivyo vyatororokanijwe ntibibe bigenewe kubihanahana n'abandi bantu canke kubikwiragiza ;

2° Ikopi zimara igihe gito zigirwa mu bikorwa bisaba ubuhinga bujanye n'uguhanahana ibitororokanywa hamwe n'ugutanga uburyo bw'ugushikira vyoroshe umuhora wa nimerike mu ntumbero y'ukubibika mu mashini ikora ivyibwirije, bikabikwa mu kiringo gito kandi vy'imfatakibanza, bikongera bikagirwa gusa mu ntumbero yo kworohereza abandi bakenera ivyo bitororokanywa kugira bashobore kuronka uko bishoboka kwose ibimenyeshwa vyatanzwe.

**Section 2 : Des définitions**

**Article 4 :**
Au sens de la présente loi, on entend par :

1° **analyse d'impact sur la protection des données :** une étude qui doit être menée lorsqu'un traitement des données personnelles est susceptible d'engendrer un risque élevé pour les droits et les

**Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo**

**Ingingo ya 4 :**
Muri iri bwirizwa, aya majambo asigura:

1° **umwihwezo w'inkurikizi ku bijanye n'ugukingira ivyatororokanijwe :** icigwa gitegerezwa kugirwa igihe uguhinyanyura ivyatororokanijwe ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bishobora

libertés des personnes concernées;

gutuma uburenganzira n'ukwishira n'ukwizana kw'abantu vyerekeye bubangamirwa cane;

2° **consentement de la personne concernée** : toute manifestation préalable de volonté, libre, spécifique, éclairée et univoque par laquelle la personne concernée accepte, par une déclaration ou par un acte positif clair, que des données à caractère personnel la concernant fassent l'objet d'un traitement;

2° **ukwiyemerera kw'umuntu vyerekeye :** ukubanza kugaragaza ugushaka, ata gahato, kwihariye, bitangiwe umuco kandi mu buryo butomoye, aho uwo vyerekeye yemera biciye mu kubishikiriza canke mu kindi cose kivyemeza ku buryo burashe, ko ivyamutororokanijweko bimwerekeye bihinyanyurwa;

3° **délégué à la protection des données : DPD** en sigle, la personne qui veille au respect du cadre légal concernant la protection des données au sein d'une organisation ;

3° **intumwa ikingira ivyatororokanijwe, DPD mu mpfunyapfunyo y'igifaransa :** umuntu akurikirana ko amategeko akingira ivyatororokanijwe mw'ishirahamwe yubahirizwa ;

4° **données à caractère personnel :** toute information, de quelque nature qu'elle soit, indépendamment de son support, y compris le son et l'image, relative à une personne physique identifiée ou identifiable, directement ou indirectement, par référence à un numéro d'identification ou à un ou plusieurs éléments spécifiques, propres à son identité physique, physiologique, génétique, psychique, culturelle, social ou économique ;

4° **ibitororokanywa ku muntu bimwerekeye ubwiwe :** ibishikirizwa vyose, uko bimeze kwose, hatarabwe ico bibitsweko, harimwo amajwi n'amasanamu, vyerekeye umuntu ashoka amenyekana canke akamenyekana biciye mu bundi buryo, hafatiwe ku nomero imuranga yiharije, ku kintu canke ibintu bimuranga ku mubiri, uko aremwe, akaranga nkomoko, ingene amagara yo mu mutwe yifashe, imico n'imigenzo, imibano canke ku butunzi ;

5° **données biométriques :** données à caractère personnel résultant d'un traitement technique spécifique, relatives aux caractéristiques physiques, physiologiques ou comportementales d'une personne physique, qui permettent ou confirment son identification unique ;

5° **ibitororokanywa mu buhinga bwa none biranga umuntu bifatiye kuri kamere :** ibitororokanywa vyose vyerekeye umuntu ubwiwe bivuye mu vyahinyanyuwe hakoreshejwe ubuhinga bubigenewe vyerekeye ibiranga umuntu vyo ku mubiri, vyo mumubiri canke

ibijanye n'inyifato y'umuntu bituma hashobora kumenyekana canke kwemezwa ibimuranga yisangije ;

6° **données sensibles :** données à caractère personnel visées par l'article 9 de la présente loi ;

6° **ibitororokanywa nkoramutima :** ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bivugwa mu ngingo ya 9 y'iri bwirizwa ;

7° **fichier de données à caractère personnel :** tout ensemble structuré de données à caractère personnel, accessible selon des critères déterminés ;

7° **ububiko bwo mu buhinga bwa none bw'ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe :** ibitororokanywa ku muntu vyose bimwerekeye ubwiwe biringanijwe neza, bishobora gukoreshwa hisunzwe ibifatirwako bitomoye ;

8° **personne concernée par un traitement de données à caractère personnel :** toute personne à laquelle se rapportent les données qui font l'objet du traitement ;

8° **umuntu yerekewe n'ihinyanyurwa ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe :** umuntu wese yerekewe n'ivyatororokanijwe biriko birahinyanyurwa ;

9° **protection des données dès la conception :** la mise en œuvre des mesures techniques et organisationnelles ainsi que de garanties nécessaires, au moment de la détermination des moyens de traitement et pendant le traitement lui-même afin d'assurer le respect des principes de protection des données et la protection des droits et libertés des personnes concernées ;

9° **ugukingira ivyatororokanijwe kuva bigitegurwa :** ishirwa mu ngiro ry'ingingo zijanye n'ubuhinga n'itunganywa hamwe n'iry'ivyizeza bikenewe, mu gihe co gutomora uburyo bukoreshwa mu guhinyanyura no mu gihe c'uguhinyanyura nyezina mu ntumbero yo kwubahiriza ingingo zikingira ibitororokanywa hamwe n'ugukingira uburenganzira n'ukwishira n'ukwizana kw'abantu vyerekeye ;

10° **protection par défaut :** un ensemble des mesures techniques et organisationnelles permettant que seules les données à caractères personnelles nécessaires à chaque finalité du traitement soient traitées;

10° **ugukingira ivyatororokanijwe bimwebimwe bikenewe :** ingingo zose zerekeye ubuhinga n'itunganywa zituma gusa hahinyanyurwa ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bimwebimwe bikenewe hafatiwe ku co iryo hinyanyurwa ryerekeye ;

11° **responsable d'un traitement de données à caractère personnel :** toute personne physique ou morale de droit public ou privé, qui détermine les finalités et les moyens d'un traitement;

12° **responsable majeur du traitement** : toute entreprise de plus de 200 employés, toute autorité publique, tout organisme public national ou toute autre personne morale de droit privé gérant régulièrement et de manière licite les données nécessaires à la sauvegarde de la vie humaine, à la constatation, l'exercice ou la défense d'un droit en justice, au suivi thérapeutique ou médical des patients en cas d'urgence ou dont le traitement a pour fin la recherche dans le domaine de la santé.

13° **Sous-traitant :** toute personne traitant des données à caractère personnel pour le compte du responsable du traitement ;

14° **traitement de données à caractère personnel** : toute opération ou tout ensemble d'opérations portant sur de telles données quel que soit le procédé utilisé, notamment la collecte, l'enregistrement, l'organisation, l'adaptation ou la modification, l'extraction, la consultation, l'utilisation, la

11° **uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa ku muntu bimwerekeye ubwiwe :** umuntu uwo ari we wese canke ishirahamwe rya Reta canke ry'abikorera utwabo ashiraho intumbero n'uburyo bw'impinyanyuro;

12° **uwujejwe nyamukuru guhinyanyura ivyatororokanijwe :** amashirahamwe akoresha abakozi barenga 200, indongozi mu ntwaro y'igihugu, ishirahamwe rya Reta y'Uburundi canke ishirahamwe ry'abikorera utwabo rihinyanyura imisi yose rikurikije amategeko ibitororokanywa bikenewe mu gukingira ubuzima bw'abantu, mu kwerekana, gukoresha canke guharanira uburenganzira biciye mu butungane, ibitororokanywa bifise intumbero y'ugukurikiranira hafi canke kuvura abarwaye mu gihe vyihutirwa canke ibitororokanywa mu ntumbero y'ukugira ubushakashatsi mu gisata c'amagara y'abantu.

13° **Uwashinzwe igikorwa n'uwogikoze :** umuntu wese ahinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe kw'izina ry'uwujejwe kubihinyanyura ;

14° **uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe :** igikorwa ico arico cose canke ibikorwa vyose birangurwa ku bitororokanywa nk'ivyo, hatarabwe ingene vyakozwe na canecane mu kuvyegeranya, kuvyandika, kubitunganya, kubiroranya canke kubihinduramwo bimwebimwe,

communication par transmission ou diffusion de tout autre forme de mise à disposition, le rapprochement ou l'interconnexion ainsi que l'effacement ou la destruction ;

kubikuramwo bimwebimwe, kuronderamwo ivy'umuntu akeneye, kubikoresha, kubihanahana biciye mu kubirungika canke kubikwiragiza mu buryo ubwo ari bwo bwose butuma bishikira uwubikeneye, gushira hamwe ubuhinga canke imihora y'ukubikoresha, kubifuta canke kubizimanganya ;

15° **traitement domestique** : tout traitement réalisé par une personne physique ou morale dans le cadre d'activités strictement personnelles, sans transmission à des tiers ;

15° **ihinyanyura ry'ibitororokanywa bigenewe benevyo** : ihinyanyurwa iryo ari ryo ryose rigizwe n'umuntu canke ishirahamwe mu ntumbero yo kurangura ibikorwa vyiwe bwite, ata bandi birungikirwa ;

16° **violation de données à caractère personnel** : violation de la sécurité entraînant, de manière accidentelle ou illicite, la destruction, la perte, l'altération, la divulgation non autorisée de données à caractère personnel transmises, conservées ou traitées d'une autre manière, ou l'accès non autorisé à de telles données.

16° **ihonyangwa ry'ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe** : ukudakingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bituma bisambuka, bitakara, vyononekara, ivyatanzwe bigakwiragizwa mu buryo butarekuwe, bibikwa canke bihinyanyurwa mu bundi buryo canke bishikirwa n'abatabirekuriwe, bivuye kw'isanganya canke ko bikozwe bidaciye mu mategeko.

## CHAPITRE II : DES CONDITIONS DE TRAITEMENT DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL

## IGICE CA II : IBISABWA MU GUHINYANYURA IBITOROROKANYWA VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE

### Article 5 :

Un traitement de données à caractère personnel ne porte que sur des données remplissant les conditions ci-après :

1° Etre collectées et traitées de manière loyale, licite et transparente au regard des personnes concernées ;

2° Etre traitées pour des finalités déterminées, explicites, légitimes et ne pas être traitées ultérieurement de

### Ingingo ya 5 :

Uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe biraba gusa ibitorokanywa bikwije ibifatirwako bikurikira :

1° Kuba vyegeranijwe kandi vyahinyanyuwe ku buryo abo vyerekeye babona ko vyakozwe mu buryo bwizewe, hubahirijwe amategeko kandi ku mugaragaro ;

2° Kuba bihinyanyuwe mu ntumbero zitomoye, zigaragara, zemewe

manière incompatible avec ces finalités, le traitement ultérieur à des fins archivistiques dans l'intérêt public, à des fins de recherche scientifique ou historique ou à des fins statistiques étant considéré comme une opération de traitement licite compatible ;

n'amategeko no kuba bitazohinyanyurwa mu nyuma mu buryo buhushanye n'izo ntumbero, uguhinyanyura bigizwe mu nyuma mu ntumbero z'ugushingura ku neza ya bose, z'ubushakashatsi canke z'ukunonosora akahise canke mu ntumbero z'ukugira ibiharuro bifatirwako, bikaba bifatwa nk'uguhinyanyura kuroranye kwemewe n'amategeko ;

3° Etre adéquates, pertinentes et non excessives au regard des finalités pour lesquelles elles sont traitées et de leurs traitements ultérieurs ;

3° Kuba bibereye, bifise ishingiro kandi bitarengeje urugero hafatiwe ku ntumbero zitumye bihinyanyurwa no ku zindi ntumbero z'ibikorwa vy'uguhinyanyura bizokurikira;

4° Etre exactes, complètes et, si nécessaire, mises à jour ; des mesures appropriées doivent être prises pour que les données inexactes ou incomplètes au regard des finalités pour lesquelles elles sont collectées ou traitées soient effacées ou rectifiées ;

4° Kuba ari ivy'ukuri, bikwiye kandi, iyo bikenewe, vyashizwe ku gihe; ingingo zibereye zitegerezwa gufatwa kugira ivyatororokanijwe atari ivy'ukuri canke bidakwiye hafatiwe ku ntumbero zatumye vyegeranywa canke bihinyanyurwa bifutwe canke bikosorwe;

5° Etre conservées sous une forme permettant l'identification des personnes concernées pendant un délai n'excédant pas la durée nécessaire à l'atteinte des finalités pour lesquelles elles sont collectées ou traitées ;

5° Kuba bishinguwe mu buryo butuma hamenyekana abantu vyerekeye mu kiringo kitarenza igikenewe mu gushika ku ntumbero zatumye vyegeranywa canke bihinyanyurwa.

6° Etre traitées de façon à garantir une sécurité appropriée des données à caractère personnel, en protégeant leur intégrité et leur confidentialité, y compris l'action contre le traitement non autorisé ou illicite et contre la perte, la destruction ou les dégâts d'origine accidentelle, à l'aide de mesures techniques ou organisationnelles appropriées.

6° Kuba bihinyanyuwe ku buryo ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bibungabungwa neza, mu kubikingira bikaguma uko biri bikaguma no mw'ibanga, harimwo ukubikingira ihinyanyurwa ritarekuwe canke ritisunze amategeko n'ukubikingira ntibitakare, ntibizimangane canke ntivyononekare biturutse kw'isanganya, hakoreshejwe ingingo zijanye n'ubuhinga canke n'itunganywa zibereye.

**Article 6 :**

Les grands principes régissant les traitements de données à caractère personnel énoncés à l'article 8 sont intégrés,

**Ingingo ya 6 :**

Ingingo nkurunkuru zigenga ihinyanyurwa ry' ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe zivugwa mu ngingo ya 8 zishirwa, kuva mu

dès les premiers stades, à la conception des biens et services conçus par le responsable du traitement, par l'adoption de mesures techniques et organisationnelles appropriées.

ntambwe za mbere, mu nteguro y'ibintu n'ibikorwa birangurirwa abandi bitegurwa n'uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe, mu gufata ingingo zibereye zijanye n'ubuhinga n'itunganywa ry'umugambi.

**Article 7 :**
Lorsque le bien ou le service offre à ses utilisateurs des choix ayant un impact sur les traitements de données à caractère personnel, le réglage par défaut est celui le plus à même de protéger les données et la vie privée des individus.

**Ingingo ya 7 :**
Mu gihe ikintu canke igikorwa kirangurirwa abandi giha abagikoresha uburyo bwinshi bwo kwihitiramwo bushobora kugira ingaruka kw'ihinyanyurwa ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe, ata buryo bahisemwo hakoreshwa uburyo bukingira gusumba ivyatororokanijwe n'ibitegerezwa kuguma ari ibanga n'ubuzima kabanga bw'abantu.

**Article 8 :**
Le traitement des données à caractère personnel doit se faire de manière licite, loyale et non frauduleuse.

**Ingingo ya 8 :**
Uguhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bitegerezwa gukorwa hubahirijwe amategeko, mu buryo bwizewe kandi biciye mu nzira y'ukuri.

Le traitement n'est licite que si, et dans la mesure où, au moins une des conditions suivantes est remplie :

1° La personne concernée a consenti au traitement de ses données à caractère personnel pour une ou plusieurs finalités spécifiques ;

2° Le traitement est nécessaire à l'exécution d'un contrat auquel la personne concernée est partie ou à l'exécution de mesures précontractuelles prises à la demande de celle-ci ;

3° Le traitement est nécessaire au respect d'une obligation légale à laquelle le responsable du traitement est soumis ;

4° Le traitement est nécessaire à la sauvegarde des intérêts vitaux de la personne concernée ou d'une autre personne physique ;

Uguhinyanyura vyemerwa n'amategeko ari uko n'imiburiburi kimwe mu bisabwa bikurikira cubahirijwe :

1° Umuntu vyerekeye yemeye ko ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe bihinyanyurwa mu ntumbero imwe canke nyinshi zihariye ;

2° Uguhinyanyura bikenewe mu gushira mu ngiro amasezerano uwo vyerekeye arimwo canke mw'ishirwa mungiro z'ingingo z'imbere y'amasezerano zifatwa bisabwe na we ;

3° Uguhinyanyura bikenewe mu kwubahiriza ibitegerejwe n'amategeko uwujejwe kubihinyanyura yisunga ;

4° Uguhinyanyura bikenewe mu gukingira inyungu nkoramutima z'umuntu vyerekeye canke z'uwundi muntu ;

5° Le traitement est nécessaire à l'exécution d'une mission d'intérêt public ou relevant de l'exercice de l'autorité publique dont est investi le responsable du traitement ;

6° Le traitement est nécessaire aux fins des intérêts légitimes poursuivis par le responsable du traitement ou par un tiers, à moins que ne prévalent les intérêts ou les libertés et droits fondamentaux de la personne concernée qui exigent une protection des données à caractère personnel, notamment lorsque la personne concernée est un enfant.

5° Uguhinyanyura bikenewe mu gushira mu ngiro umurimo w'ineza rusangi canke uva ku gukoresha ubutegetsi uwajejwe amabanga y'uguhinyanyura ahabwa n'igihugu ;

6° Uguhinyanyura bikenewe ku nyungu zemewe n'amategeko uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe akurikirana canke bikurikiranwa n'uwundi muntu, kiretse hashizwe imbere inyungu canke ukwishira n'ukwizana hamwe n'uburenganzira ngenderwako bw'umuntu vyerekeye bisaba ko ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bikingirwa, nk'igihe uwo vyerekeye ari umwana.

**Article 9 :**

Il est interdit de traiter des données à caractère personnel qui font apparaître, directement ou indirectement, les origines raciales ou ethniques, les opinions politiques, philosophiques ou religieuses, l'appartenance syndicale des personnes ou des données relatives à la santé ainsi que de traiter des données biométriques aux fins d'identifier une personne physique de manière sélective.

**Ingingo ya 9 :**

Birabujijwe, guhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe, bibonekamwo, mu buryo bugaragara canke mu bundi buryo, inkomoko yerekeye urukoba canke ubwoko, ivyiyumviro vya poritike, ivyiyumviro nyurabwenge canke ivy'amadini, ukuba mw'isendika canke ibitororokanywa vyerekeye amagara hamwe n'uguhinyanyura ibitororokanywa ku muntu vyo mu buhinga bwa none biranga umuntu bifatiye Kuri kamere mu ntumbero yo kumenya umuntu uwo ari we arobanuwe mu bandi.

**Article 10 :**

Dans la mesure où la finalité du traitement l'exige pour certaines catégories de données, ne sont pas soumis à l'interdiction prévue à l'article 9 :

1° Les traitements pour lesquels la personne concernée a donné son consentement exprès, sauf lorsque la loi prévoit que l'interdiction visée à l'article 9 de la présente loi ne peut être levée même par le consentement de la personne concernée ;

**Ingingo ya 10 :**

Mu gihe ku migwi imwimwe y'ibitororokanywa, intumbero y'ukubihinyanyura ibisaba, ibikorwa bikurikira ntivyerekewe n'ibibujijwe bitegekanijwe mu ngingo ya 9 :

1° Ibikorwa vy'uguhinyanyura ibitororokanywa birangurwa umuntu vyerekeye avyiyemereye mu buryo butomoye, kiretse mu gihe amategeko ategekanya ko ibibujijwe bivugwa mu ngingo ya 9 y'iri bwirizwa bidashobora gukurwaho naho uwo vyerekeye yoba yavyemeye;

2° Les traitements nécessaires à la sauvegarde de la vie humaine, mais auxquels la personne concernée ne peut donner son consentement par suite d'une incapacité juridique ou d'une impossibilité matérielle ;

3° Les traitements mis en œuvre par une association ou tout autre organisme à but non lucratif ou à caractère religieux, philosophique ou syndical et dont la finalité est relative à la gestion de leurs membres ou anciens membres ou celle des personnes qui entretiennent avec eux des contacts réguliers dans le cadre de leurs activités ;

4° Les traitements nécessaires à la constatation, à l'exercice ou à la défense d'un droit en justice ;

5° Les traitements ayant pour fin le suivi thérapeutique ou médical des patients en cas d'urgence ;

6° Le traitement ayant pour fin la recherche dans le domaine de la santé, lorsque la personne concernée y consent.

Pour des motifs d'intérêt public, il peut aussi être fait exception à l'interdiction prévue à l'article 9 par ordonnance du Ministre ayant l'état civil dans ses attributions.

Les données sensibles visées au paragraphe 1 du présent article ne doivent être utilisées qu'à des fins pour lesquelles elles ont été collectées ou celles compatibles et faire l'objet de garanties supplémentaires telles que le cryptage, les contrôles d'accès, des environnements de stockage sécurisés ainsi que des audits de sécurité réguliers.

2° Ibikorwa vy'uguhinyanyura ibitororokanywa bikenewe mu gukingira ubuzima bw'umuntu, ariko uwo vyerekeye adashobora kuvyiyemerera kubera ko ata bubasha afise bw'ukwihagararira imbere y'amategeko canke bidashoboka ko avyiyemerera ;

3° Ihinyanyura ry'ibitororokanywa rikozwe n'ishirahamwe iryo ari ryo ryose ridaharanira inyungu z'amafaranga canke rishingiye ku madini, ku vyiyumviro nyurabwenge canke ku vy'isendika bifise intumbero ijanye n'ugutunganya ivyerekeye abanywanyi baryo canke abarihozemwo, canke ivyerekeye abantu bama bagiranira imigenderanire naryo mu bijanye n'ibikorwa vyabo ;

4° Ihinyanyura ry'ibitororokanywa rikenewe mu kwerekana, mu gukoresha canke mu guharanira uburenganzira biciye mu butungane ;

5° Ihinyanyura ry'ibitororokanywa rifise intumbero y'ukuvura canke gukurikiranira hafi abarwayi mu gihe vyihutirwa ;

6° Ihinyanyura ry'ibitororokanywa rifise intumbero y'ukugira ubushakashatsi mu gisata c'amagara y'abantu mu gihe uwo vyerekeye yavyemeye.

Ku mvo zerekeye ineza ya bose, harashobora kandi kwirengagizwa ibibujijwe bitegekanijwe mu ngingo ya 9 biciye mw'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo inzandiko ndangamuntu.

Ibitororokanywa vy'inkoramutima bivugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo bikoreshwa gusa mu ntumbero vyatororokanirijwe canke mu ntumbero bijanye, hakaba ivyizeza vyongeweko nko gupfindika ivyatororokanijwe, gucungera abobigirako uburenganzira, ibibanza bibikwamwo bikingiwe bihagije hamwe n'isuzumwa rya minsi yose ry'umutekano wavyo.

**Article 11 :**
Lorsque le traitement est mis en œuvre pour le compte du responsable du traitement, celui-ci doit choisir un sous-traitant qui apporte des garanties suffisantes qu'il est en mesure de respecter les obligations issues de la présente loi.

**Ingingo ya 11 :**
Mu gihe ihinyanyura ry'ibitororokanywa riranguwe kw'izina ry'uwujejwe kubihinyanyura, na we ategerezwa gutora uwubikora mu kibanza ciwe, akabanza kwerekana ivyemeza bikwiye ko ashoboye kwubahiriza ibitegerejwe bivugwa muri iri bwirizwa.

**Article 12 :**
Tout traitement effectué pour le compte du responsable du traitement doit être régi par un contrat ou un acte juridique consigné par écrit qui lie le sous-traitant au responsable du traitement et qui prévoit notamment que le sous-traitant n'agit que sur la seule instruction du responsable du traitement et que les obligations visées au présent article incombent également à celui-ci.

**Ingingo ya 12 :**
Ihinyanyura ry'ibitororokanywa iryo ari ryo ryose riranguwe kw'izina ry'uwujejwe kubihinyanyura gitegerezwa kugengwa n'amasezerano yanditse canke ingingo yemewe n'amategeko iciye mu rwandiko ruhuza uwashinzwe igikorwa n'uwakimushinze kandi igategekanya canecane ko uwashinzwe igikorwa akorera gusa ku mategeko ahabwa n'uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa kandi ko ivyo ategerejwe bivugwa muri iyi ngingo nawe nyene bimwega.

Le contrat ou l'acte juridique définit l'objet et la durée du traitement, la nature et la finalité du traitement, le type de données à caractère personnel et les catégories de personnes concernées ainsi que les obligations et les droits du responsable du traitement.

Amasezerano yanditse canke ingingo yemewe n'amategeko aratomora intumbero n'ikiringo bizohinyanyurwamwo, ubwoko bw'ibizohinyanyurwa n'ico bigomba gushikako, ubwoko bw'ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe n'imigwi y'abantu vyerekeye hamwe n'ibitegerejwe n'uburenganzira vy'uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe.

Le contrat prévoit que le sous-traitant, selon le choix du responsable du traitement, supprime toutes les données à caractère personnel ou les renvoie au responsable du traitement au terme de la prestation de services relatifs au traitement et détruit les copies existantes.

Amasezerano arategekanya ko uwashinzwe igikorwa n'uwogikoze bivanye n'ico uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe yahisemwo, afuta ivyatororokanijwe vyose vyerekeye umuntu ubwiwe canke akabirungikira uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe arangije ibikorwa vyerekeye uguhinyanyura ivyatororokanijwe, agaca azimanganya amakopi yavyo yose.

**Article 13 :**
Le sous-traitant ne recrute pas un autre sous-traitant sans l'autorisation écrite préalable, spécifique ou générale, du responsable du

**Ingingo ya 13 :**
Uwashinzwe igikorwa n'uwogikoze ntagiha uwundi atabanje kuronka uruhusha rwanditse kuri bimwe canke kuri vyose rw'uwujejwe

traitement.

uguhinyanyura.

Dans le cas d'une autorisation écrite générale, le sous-traitant informe le responsable du traitement de tout changement prévu concernant l'ajout ou le remplacement d'autres sous-traitants, donnant ainsi au responsable du traitement la possibilité d'émettre des objections à l'encontre de ces changements.

Mu gihe ahawe uruhusha kuri vyose rwanditse, uwashinzwe igikorwa n'uwogikoze aramenyesha uwakimujeje ibijanye n'ibitegekanywa guhindurwa vyose vyerekeye abandi bahawe ibikorwa n'abobikoze bongewemwo canke basubirijwe, bishoboza uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe kugira ico avuze ku vyo atashimye ku bijanye n'ivyahinduwe.

Le sous-traitant met à la disposition du responsable du traitement toutes les informations nécessaires pour démontrer le respect des obligations prévues par la présente loi et pour permettre la réalisation d'audits, y compris des inspections, par le responsable du traitement ou un autre auditeur qu'il a mandaté et contribuer à ces audits.

Uwashinzwe igikorwa n'uwogikoze arashikiriza uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe amakuru yose akenewe kugira yerekane ko ibitegerejwe bitegekanijwe n'iri bwirizwa vyubahirijwe kandi kugira amasuzuma ashobore kugirwa harimwo n'amasuzuma agirwa n'abagenduzi, bigirwa n'uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe canke n'uwundi musuzumyi yatumwe, n'ukugira uruhara muri ayo masuzuma.

**Article 14 :**

Les traitements de données à caractère personnel relatives aux infractions, aux condamnations et aux mesures de sûreté ne peuvent être mis en œuvre que par :

1° Les juridictions, les autorités publiques et les personnes morales gérant un service public dans le cadre de leurs attributions légales ;

2° Les auxiliaires de justice, pour les stricts besoins de l'exercice des missions qui leur sont confiées par la loi ;

3° Les autres personnes morales, pour les stricts besoins de la gestion du contentieux relatif aux infractions dont elles ont été victimes.

**Ingingo ya 14 :**

Ihinyanyura ry'ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bijanye n'ivyaha, ibihano n'ingingo zijanye n'ukubungabunga umutekano bishobora gusa gukorwa na:

1° Sentare, abategetsi bo mu nzego za Reta n'amashirahamwe arangura ibikorwa vya Reta hubahirijwe ivyo barekuriwe n'amategeko ;

2° Abunganizi b'ubutungane ku vyo bakenera gusa mu kurangura imirimo bashingwa n'amategeko ;

3° Ayandi mashirahamwe, mu vyo bakenera gusa mu gutatura amatati ajanye n'ivyaha yakorewe.

**Article 15 :**
Le responsable d'un traitement de données à caractère personnel ne peut transférer des données vers un Etat étranger ou une organisation internationale que si ledit Etat ou ladite organisation assure un niveau de protection suffisant de la vie privée et des libertés et droits fondamentaux des personnes concernées par ces données.

Le caractère suffisant de niveau de protection assuré par un Etat s'apprécie en fonction notamment des dispositions de protection en vigueur dans cet Etat, des mesures de sécurité qui y sont appliquées, des caractères propres du traitement tels que sa fin et sa durée ainsi que la nature, l'origine et la destination des données traitées.

Une ordonnance du Ministre ayant l'économie numérique dans ses attributions dresse une liste de pays dont le niveau de protection des données à caractère personnel est considéré comme suffisant.

Le responsable d'un traitement des données peut transférer des données vers des pays ne figurant pas sur la liste, à condition que l'organisation destinataire adopte des garanties adéquates approuvées par l'Organe de protection des données à caractère personnel au Burundi.

**Article 16 :**
Les éléments tenus en compte pour évaluer le caractère suffisant du niveau de protection sont les suivants :

1° L'Etat de droit, le respect des droits de la personne humaine et des libertés fondamentales, la législation pertinente tant générale que sectorielle, y compris en ce qui concerne la sécurité nationale, la sécurité publique, le respect des

**Ingingo ya 15 :**
Uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe ashobora kubirungika mu kindi gihugu canke mw'ishirahamwe mpuzamakungu ari uko gusa ico gihugu canke iryo shirahamwe rikingira ku rugero rukwiye ubuzima kabanga bw'umuntu, ukwishira n'ukwizana hamwe n'uburenganzira ngenderwako vy'abantu berekewe n'ivyo vyatororokanijwe.

Urugero rukwiye rw'ingene igihugu gikingira ibitororokanywa rubonekera nko ku mategeko yerekeye kubikingira asanzwe akurikizwa muri ico gihugu, amategeko n'izindi ngingo zijanye n'umutekano wavyo zihakurikizwa, ibiranga vyihariye ihinyanyura ry'ibitororokanywa nk'aho rizorangirira n'umwanya rizomara, hamwe n'ubwoko bw'ivyatororokanijwe vyahinyanyuwe, inkomoko yavyo n'ico bigenewe.

Itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubutunzi bufatiye ku buhinga bwa none rirashiraho urutonde rw'ibihugu bifise urugero rufatwa ko rukwiriye mu gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe.

Uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe ashobora kubirungika mu bihugu bitari kuri urwo rutonde rwavuzwe aho hejuru mu gihe ishirahamwe rirungikiwe ivyatororokanijwe ritanze ivyizeza bihagije vyemejwe n'Urwego rw'igihugu rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe mu Burundi.

**Ingingo ya 16 :**
Ibifatirwako mu gusuzuma ko urugero rwo gukingira ibitororokanywa rukwiye ni ibi bikurikira :

1° Igihugu cubahiriza amategeko, agateka ka zina muntu, uburenganzira ngenderwako, amategeko n'amabwirizwa bitomoye muri rusangi canke ayagenga ico gisata, harimwo umutekano w'igihugu, umutekano w'abanyagihugu, kwubahiriza

données à caractère personnel, de même que la mise en œuvre de ladite législation ;

ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe co kimwe n'ishirwa mu ngiro ry'ayo mabwirizwa n'amategeko;

2° L'existence et le fonctionnement effectif d'une ou de plusieurs autorités indépendantes de contrôle des données à caractère personnel dans ce pays ou cette organisation internationale ;

2° Kuba hariho urwego canke inzego zigenga kandi zikora koko zijejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe muri ico gihugu canke iryo shirahamwe mpuzamakungu ;

3° Le respect des engagements internationaux pris par le pays ou l'organisation internationale en question en ce qui concerne la protection des données à caractère personnel.

3° Ukwubahiriza ivyiyemejwe n'ico gihugu canke iryo shirahamwe mpuzamakungu mu masezerano mpuzamakungu mu bijanye no gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe.

**CHAPITRE III : DES DROITS DES PERSONNES EU EGARD AUX TRAITEMENTS DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL**

**IGICE CA III: IVYEREKEYE UBURENGANZIRA BW'ABANTU KU BIJANYE N'IHINYANYURA RY'IBITOROROKANYWA VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE**

**Article 17 :**

Lorsque des données à caractère personnel sont recueillies directement auprès de la personne concernée, le responsable du traitement ou son représentant doit l'informer, au moment où les données sont obtenues :

1° De l'identité du responsable de traitement ou de celle de son représentant ;

2° Des finalités poursuivies par le traitement ;

3° Des destinataires ou catégories de destinataires des données à caractère personnel ;

4° De la durée de conservation des données à caractère personnel ;

5° De l'existence et des modalités d'exercice des droits qui sont reconnus aux personnes concernées par le présent chapitre ;

**Ingingo ya 17:**

Mu gihe umuntu yatororokanijweko ibimwerekeye ubwiwe abigizemwo uruhara, uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa canke uwumuserukira ategerezwa kumumenyesha ubwo nyene akironka ibitororokanywa, ibi bikurikira :

1° Umwidondoro w'uwujejwe guhinyanyura ivyatororokanijwe canke uw'uwumuserukira ;

2° Intumbero ihinyanyura ry'ibitororokanywa rifise ;

3° Abagenewe ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe canke imigwi ibigenewe ;

4° Ikiringo ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bimara bibitswe ;

5° Ko hari uburenganzira abo vyerekeye bafise butegekanijwe muri iki gice n'ingene bukoreshwa ;

6° Du caractère obligatoire ou facultatif des informations qui sont demandées et des réponses fournies ;

6° Ko ibimenyeshwa bisabwa n'inyishu zitangwa, bitegerejwe canke bidategerejwe ;

7° Du traitement des données à l'aide de l'Intelligence artificielle pour la prise de décision automatisée.

7° Ihinyanyura ry'ibitororokanywa hifashishijwe ubwenge ncurano mu ntumbero yo gufata ingingo imashini yibwirije

**Article 18 :**

Si le responsable du traitement a l'intention d'effectuer un traitement ultérieur des données à caractère personnel pour une finalité autre que celle pour laquelle les données à caractère personnel ont été collectées, le responsable du traitement fournit au préalable à la personne concernée des informations au sujet de cette autre finalité et moyennant son consentement.

**Ingingo ya 18 :**

Iyo uwujejwe ihinyanyura afise intumbero yo kuzohinyanyura munyuma ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe mu ntumbero itandukanye n'iyatumye bitororokanywa, uwujejwe ihinyanyura abanza kumenyesha uwo vyega iyo ntumbero yindi kandi akabanza kubimwemerera

**Article 19 :**

En cas de décision automatisée produisant des effets juridiques ou des effets importants sur la situation de la personne concernée, l'existence d'un tel automatisme doit lui être signalée et la logique sous-jacente du traitement lui être expliquée en termes clairs et simples.

Lorsque le traitement a pour finalité la simple aide à la prise d'une décision produisant des effets juridiques ou des effets importants sur la situation de la personne concernée, le responsable de traitement décrit l'apport propre du décideur humain intervenant après l'automatisme, en particulier les méthodes et les critères sur lesquels il fonde son appréciation.

**Ingingo ya 19 :**

Iyo ingingo itanzwe n'imashini yibwirije igira ingaruka ztegekanijwe n'amategeko canke ingaruka zihambaye ku wo vyega, uwo muntu ategerezwa kumenyeshwa ko iyo nyishu itangwa n'imashini ibaho akanasigurirwa uko bigenda mu buryo burashe kandi bworoshe gutahura.

Mu gihe ihinyanyura rifise intumbero yo gufasha bisanzwe gufata ingingo igira ingaruka zitegekanijwe n'amategeko canke ingaruka zihambaye ku wo vyega, uwujejwe ihinyanyura arerekana neza uruhara rw'umuntu afata ingingo inyuma y'ingingo itangwa n'imashini yibwirije, na canecane uko bikorwa n'ivyo afatirako mu gufata ingingo.

**Article 20 :**

Les prises de décisions automatisées produisant des effets juridiques ou des effets importants sur la situation de la personne concernée, ne sont autorisées que lorsque :

1° Elles sont prévues par un acte législatif ou réglementaire prévoyant des garanties appropriées ;

**Ingingo ya 20 :**

Ingingo zitangwa imashini ivyibwirije zifise ingaruka zitegakanijwe n'amategeko canke ingaruka zihambaye ku wo vyerekeye, zirekurwa gusa igihe :

1° Zitegekanijwe n'ibwirizwa canke itegeko, ritegekanya ivyizeza bibereye ;

2° Elles sont prises avec le consentement de la personne concernée ;

3° Elles sont strictement nécessaires à la conclusion ou à l'exécution d'un contrat entre la personne concernée et le responsable du traitement.

Dans les cas où une telle décision automatisée est permise, elle est accompagnée d'une motivation individuelle, qui peut elle-même être produite par un traitement automatisé.

Après avoir pris connaissance de la décision et de la motivation qui l'accompagne, la personne concernée a le droit de faire reformuler la décision. Elle est alors invitée par le responsable du traitement à présenter des observations écrites au soutien de sa cause. Une nouvelle décision motivée est prise par un être humain, qui remplace entièrement la première.

Les motivations de la décision humaine ne peuvent s'appuyer que sur les résultats du traitement automatisé opaque.

**Article 21 :**
Lorsque les données à caractère personnel n'ont pas été collectées auprès de la personne concernée, le responsable du traitement dispose d'un délai maximum d'un mois pour lui fournir les informations visées à l'article 17, auxquelles s'ajoute la source d'où proviennent les données à caractère personnel.

Dans le cas prévu au premier alinéa du présent article, il n'y a pas lieu de communiquer d'informations à la personne concernée lorsque :

1° Les données à caractère personnel doivent rester confidentielles en vertu

2° Zifashwe uwo vyererekeye yavyemeye ;

3° Zidashobora guhara mu gupfundika amasezerano hagati y'uwo vyerekeye n'uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa canke kuyashira mu ngiro.

Mu bihe ingingo nk'iyo yatanzwe n'imashini ivyibwirije irekuwe, iherekezwa n'imvo kuri kimwe kimwe cose nayo nyene ishobora gutangwa ihinyanyuwe n'imashini yibwiriza.

Iyo uwo vyerekeye yamenye ingingo yatanzwe n'imvo iyiherekeza, arafise uburenganzira bwo kuyisubirishamwo. Uwujejwe ihinyanyurwa ry'ivyatororokanijwe aca amusaba kugira ico abivuzeko biciye mu rwandiko rushigikira ivyo asaba. Ingingo nshasha itangiwe imvo ica ifatwa n'umuntu, igaca isubirira iya mbere.

Imvo zishigikira ingingo yatanzwe n'umuntu zishobora gusa gufatira ku vyavuye mu vyahinyanyuwe n'imashini yibwiriza bidasobanutse.

**Ingingo ya 21 :**
Mu gihe ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bitatororokanijwe kuwo vyerekeye, uwujejwe guhinyanyura ibitororokanywa afise ikiringo ntarengwa c'ukwezi kumwe kugira ngo amenyeshe uwo vyega ibidondaguye mu ngingo ya 17, hongeweko aho yakuye ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe.

Ku bijanye n'ibitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo, ntibishoboka ko uwo vyega amenyeshwa ibitororokanywa bimwerekeye mu gihe :

1° Ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bitegerezwa kuguma bihishijwe

d'une obligation de secret professionnel ;

2° La fourniture de telles informations se révèle impossible ou exigerait des efforts disproportionnés.

La preuve de l'impossibilité et de la disproportionnalité des efforts à fournir de telles informations incombe au responsable du traitement des données à caractère personnel collectées.

**Article 22 :**
Toute personne physique a le droit de s'opposer, pour des motifs légitimes, aux traitements des données à caractère personnel la concernant, sauf en cas de motifs légitimes et impérieux pour le traitement, qui prévalent sur les intérêts, les droits et libertés de la personne concernée ou pour la constatation, l'exercice ou la défense de droits en justice, démontrés par le responsable du traitement.

**Article 23 :**
Toute personne a le droit de s'opposer, sans frais, à l'utilisation des données la concernant à des fins de prospection notamment commerciale, caritative ou politique, sans avoir à justifier d'un motif légitime.

**Article 24 :**
La personne concernée a le droit d'obtenir du responsable du traitement la confirmation que des données à caractère personnel la concernant sont ou ne sont pas traitées.

**Article 25 :**
Le titulaire du droit d'accès peut obtenir la communication des données à caractère personnel le concernant.

Le responsable du traitement fournit gratuitement une copie des données à caractère personnel faisant l'objet d'un

ku mvo z'ibanga ry'akazi ;

2° Ugutanga bene izo nkuru bidashoboka canke bisaba uburyo burenze.

Uwujejwe ihinyanyurwa ry'ivyo bitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe vyegeranijwe ni we yegwa no gutanga icemeza ko gutanga izo nkuru bidashoboka canke bisaba uburyo burenze.

**Ingingo ya 22 :**
Umuntu uwo ari we wese arafise uburenganzira bwo kwanka, yishimikije imvo zemewe, ko hahinyanyurwa ivyamutororokanijweko bimwerekeye ubwiwe, kiretse uwujejwe ihinyanyurwa atanze imvo zemewe kandi ntavuguruzwa zisumba inyungu, uburengazira n'ukwishira n'ukwizana vy'uwo vyerekeye canke ko bikenewe mu kwerekana, mu gukoresha canke mu guharanira uburenganzira biciye mu butungane.

**Ingingo ya 23 :**
Umuntu uwo ari we wese arafise uburenganzira bwo kwanka, ata mafaranga atanze, ko ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe bikoreshwa mu bijanye n'ugutata, canecane mu bijanye n'urudandazwa, ivy'ugufasha abatishoboye canke ivya poritike atarinze gutanga imvo yumvikana.

**Ingingo ya 24 :**
Umuntu vyerekeye, arafise uburenganzira bwo kumenyeshwa n'uwujejwe ihinyanyurwa ko ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe vyahinyanyuwe canke bitahinyanyuwe.

**Ingingo ya 25 :**
Uwufise uburenganzira bwo gushikira ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe arashobora kubihabwa.

Uwujejwe ihinyanyurwa aratanga ku buntu ikopi y'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe vyahinyanyuwe.

traitement.

Lorsque la personne concernée présente sa demande par voie électronique, les informations sont fournies sous une forme électronique d'usage courant, à moins que la personne concernée ne demande qu'il en soit autrement.

Iyo umuntu vyerekeye abisavye akoresheje ubuhinga bwa none, amakuru ayahabwa biciye mu buhinga bwa none bukoreshwa cane, kiretse iyo umuntu vyega yasavye ko abironswa ukundi.

Si la personne concernée demande une copie supplémentaire, le responsable du traitement peut percevoir une redevance forfaitaire variable selon la catégorie de traitement dont le montant est fixé par une ordonnance du Ministre ayant les finances dans ses attributions.

Iyo umuntu vyega asavye ikopi yiyongerako, uwujejwe ihinyanyura arashobora kumurihisha amafanga ashingwa ic'amaso igitigiri gihinduka bivanye n'umugwi ibihinyanyurwa birimwo, igitigiri cayo kigashingwa n'itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta.

**Article 26 :**

Si la personne concernée exerce son droit d'accès dans des conditions abusives, eu égard notamment à la fréquence de cet exercice, le responsable du traitement est en droit de ne pas donner suite à sa demande.

**Ingingo ya 26 :**

Iyo umuntu vyega akoresheje uburenganzira bwiwe bwo gushikira ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe mu buryo bw'indenzarugero, hafatiwe nko ku ncuro akoresha ubwo burenganzira, uwujejwe ihinyanyurwa, arafise uburenganzira bwo kutishura ku vyo asabwa.

La personne concernée qui estime que l'exercice de son droit a été qualifié d'abusif à tort peut saisir l'Organe de protection des données à caractère personnel qui se prononce sur le caractère abusif ou non.

Umuntu vyega abona ko gukoresha uburenganzira bwiwe vyafashwe nk'indenzarugero atari vyo, arashobora kwitura Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe. kigaheza kigatomora ko ari indenzarugero canke atari vyo.

La décision de l'organe est attaquable devant les instances judiciaires.

Ingingo y'Urwego irashobora kwitwarirwa mu butungane.

**Article 27 :**

Lorsqu'il y a lieu de craindre la dissimulation ou la disparition des informations concernant le titulaire du droit d'accès, et même avant l'exercice d'un recours juridictionnel, ledit titulaire peut saisir l'organe de protection des données à caractère personnel pour prendre des mesures conservatoires de nature à éviter la dissimulation ou la disparition.

**Ingingo ya 27 :**

Mu gihe hikekwa ko amakuru yerekeye uwufise uburenganzira bwo gushikira ivyatororokanijwe ashobora kunyegezwa canke kuzimanganywa, uwo vyerekeye naho yoba ataritura ubutungane arashobora kwitura Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe kugira rufate ingingo zikinga inyegezwa canke izimanganywa ryavyo.

**Article 28 :**
Lorsque les données ne sont plus nécessaires à l'accomplissement de la finalité de traitement, que le consentement est retiré alors que le traitement était exclusivement fondé sur le consentement de la personne concernée, ou encore que les données aient fait l'objet d'un traitement illicite, la personne concernée a le droit d'obtenir du responsable du traitement, l'effacement, dans les meilleurs délais, de données à caractère personnel la concernant.

Le responsable du traitement a l'obligation d'effacer ces données à caractère personnel dans les meilleurs délais.

Le responsable du traitement notifie à chaque destinataire auquel les données à caractère personnel ont été communiquées tout effacement de données à caractère personnel, à moins qu'une telle notification se révèle impossible ou exige des efforts disproportionnés.

**Ingingo ya 28 :**
Mu gihe ivyatororokanijwe bitagikenewe mu gushira mu ngiro intumbero ijanye n'ihinyanyura, iyo uwari yemeye yisubiyeko kandi ihinyanyura ryagirwa gusa uwo vyega abanje kuvyemera canke naho iyo ibitororokanywa vyahinyanyuwe hahonyanzwe amategeko, umuntu vyerekeye arafise uburenganzira bwo gusaba uwujejwe ihinyanyurwa ko afuta mu maguru masha, ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe.

Uwujejwe ihinyanyura ategerezwa gufuta mu maguru masha ivyo vyatororokanijwe vyerekeye uwo muntu ubwiwe.

Uwujejwe ihinyanyura aramenyesha uwo wese yarungikiwe ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe ifutwa iryo ari ryo ryose ry'ivyatororokanijwe, kiretse iyo bidashoboka ko bimenyeshwa canke bisaba uburyo burenze.

**Article 29 :**
Le responsable du traitement a l'obligation de veiller à l'exactitude des informations figurant dans ses fichiers. Les données à caractère personnel doivent être complétées. ou corrigées d'office lorsque le responsable du traitement acquiert connaissance de leur inexactitude ou de leur caractère incomplet.

La personne concernée a le droit d'obtenir du responsable du traitement, dans les meilleurs délais, la rectification des données à caractère personnel la concernant qui sont inexactes.

Si une information a été transmise à un tiers, la rectification doit lui être notifiée, à moins qu'une telle communication se révèle impossible ou exige des efforts disproportionnés.

**Ingingo ya 29 :**
Uwujejwe ihinyanyura ategerezwa kwitwararika ko inkuru ziri mu bubiko bwiwe bwo mu buhinga bwa none ari iz'ukuri. Ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bitegerezwa kwuzuzwa canke gukosorwa atawurinze kubisaba igihe uwujejwe ihinyanyurwa amenye ko atari vyo canke bidakwiye.

Umuntu vyerekeye arafise uburenganzira bw'uko uwujejwe ihinyanyura akosora mu maguru masha ivyatororakanijwe vyerekeye uwo muntu ubwiwe bitari vyo.

Iyo inkuru yarungikiwe uwundi muntu ikosowe, ategerezwa kubimenyeshwa, kiretse iyo bigaragaye ko kubimumenyesha bidashoboka canke bisaba uburyo burenze.

**Article 30 :**
La demande d'accès ou de rectification, en ce qui concerne les traitements des données relatives à la sûreté de l'Etat, la défense et la sécurité publique, est adressée à l'Organe chargé de la protection des données à caractère personnel, visé à l'article 37.

L'Organe désigne l'un de ses membres pour faire la demande en lieu et place de la personne concernée. Le membre désigné peut se faire assister d'un autre membre de l'Organe.

La transmission des informations ainsi obtenues par l'Organe à la personne concernée peut être limitée dans toute la mesure nécessaire pour :

1° Eviter de gêner des enquêtes, des recherches ou des procédures officielles ou judiciaires ;

2° Eviter de nuire à la prévention ou à la détection d'infractions pénales, aux enquêtes ou aux poursuites en la matière ou à l'exécution de sanctions pénales ;

3° Protéger la sécurité publique ;

4° Protéger la sécurité nationale.

**Ingingo ya 30 :**
Urwandiko rw'ugusaba gushikira canke gukosora ku vyerekeye iinyanyura ry'ivyatororokanijwe bijanye n'umutekano w'Igihugu, ukwivuna abansi n'umutekano w'abanyagihugu, rwandikirwa Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe ruvugwa mu ngingo ya 37.

Urwego ruragena umwe mu barugize akabisaba kw'izina ry'uwo muntu. Uwagenywe arashobora gusaba gufashwa n'uwundi basanzwe bakorana muri urwo Rwego.

Urwego rwaronse inkuru muri ubwo buryo rurazishikiriza uwo vyerekeye ariko rurashobora kutamuha zose kubera imvo nyamukuru zikurikira :

1° Kwirinda kuburagiza amatohoza, ukurondera ibijanye n'icaha cakozwe canke amatohoza agirwa n'inzego za Reta canke z'ubutungane ;

2° Kwirinda kuburagiza gukinga ivyaha canke kumenya ivyaha vyakozwe, amatohoza canke ugukurikiranwa ku vyaha canke gushira mu ngiro ibihano mpanavyaha ;

3° Kubungabunga umutekano w'abanyagihugu ;

4° Kubungabunga umutekano w'Igihugu.

**Article 31 :**
La personne concernée a le droit de recevoir les données à caractère personnel la concernant qu'elle a fournies à un responsable du traitement, dans un format structuré, couramment utilisé et lisible par machine, exploitable électroniquement.

La personne concernée a le droit de

**Ingingo ya 31 :**
Umuntu vyerekeye arafise uburenganzira bwo guhabwa, mu buryo butomoye busanzwe bukoreshwa kandi busomwa n'imashini nyabwonko, ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe yahaye uwujejwe ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe.

Umuntu yerekewe n'ivyatororokanijwe arafise

transmettre ces données à un autre responsable du traitement sans que le responsable du traitement auquel les données à caractère personnel ont été communiquées y fasse obstacle, lorsque le traitement est fondé :

1) sur le consentement ;

2) sur un contrat conformément au point 2 de l'article 7 et qu'il est effectué à l'aide de procédés automatisés.

Lorsqu'elle exerce son droit à la portabilité des données conformément au paragraphe 1 du présent article, la personne concernée a le droit d'obtenir que les données à caractère personnel soient transmises directement d'un responsable du traitement à un autre, lorsque cela est techniquement possible. Un délai de maximum quinze (15) jours calendrier est accordé au responsable du traitement des données, à compter dès la réception de la demande de la personne concernée.

uburenganzira bwo kubihereza uwundi ajejwe ihinyanyura ry'ivyatorokanijwe kandi uwujejwe ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe yari yabihawe ubwa mbere ntashobora kubera intambamyi iryo hererekanywa mu gihe ihinyanyura rifatiye :

1) ku bushake bwa nyenevyo;

2) ku masezerano, hisunzwe agace ka 2 k'ingingo ya 7 kandi bikozwe hifashishijwe imashini yikoresha.

Mu gihe asavye yisunze uburenganzira bwiwe ihanahanwa ry'ivyatororokanijwe bimwerekeye, nkuko bitegakanijwe mu gahimba ka 1 k'iyi ngingo, uwo vyerekeye arafise uburenganzira ko ivyatororokanijwe bimwerekeye ubwiwe bihanahanwa hagati y'uwujejwe ihinyanyura n'uwundi mu gihe bishoboka mu buhinga. Uwujejwe ihinyanyura afise ikiringo kitarenga imisi cumi n'itanu (15) ikurikirana iharurwa kuva amenyeshejwe ivyasabwe n'uwo vyerekeye.

**Article 32 :**
Lorsque l'exercice du droit d'accès s'applique à des informations à caractère médical, celles-ci ne peuvent être communiquées à l'intéressé que par l'intermédiaire d'un médecin qu'il désigne à cet effet.

**Ingingo ya 32 :**
Mu gihe uburenganzira bwo kuronka amakuru yerekeye amagara y'abantu, ayo makuru ashobora kumenyeshwa gusa uwo yerekeye biciye ku muganga yagenye ku bw'ico gikorwa.

**Article 33 :**
Le responsable du traitement donne suite aux demandes des personnes concernées sur l'accès, la rectification, l'opposition et l'effacement dans les meilleurs délais, au plus tard un mois à compter de la réception de la demande.

Dans le cas où le responsable du traitement ne parvient pas à respecter le délai, il doit avertir la personne concernée et notifier cet incident à l'Organe.

**Ingingo ya 33 :**
Uwujejwe ihinyanyura arishura ku vyasabwe n'abantu ryerekeye ibijanye n'ugushikira, ugukosora, uguhagarika n'ugufuta mu maguru masha, mu kiringo kitarenza ukwezi kumwe gitangura guharurwa kuva amanyeshejwe ivyasabwe.

Igihe uwujejwe ihinyanyura atubahirije ikiringo, ategerezwa kubimenyesha uwo vyerekeye n'Urwego akarumenyesha ivyashitse.

## CHAPITRE IV : DES OBLIGATIONS DES RESPONSABLES MAJEURS DU TRAITEMENT

## IGICE CA IV : IVYO ABAJEJWE NYAMUKURU IHINYANYURA BATEGEREJWE

**Article 34 :**
Les responsables majeurs du traitement sont soumis aux obligations complémentaires du présent chapitre.

Les responsables majeurs du traitement doivent s'enregistrer auprès de l'Organe de protection des données à caractère personnel, dans les six mois de l'acquisition de cette qualité.

L'Organe tient un registre des responsables majeurs du traitement.

**Ingingo ya 34 :**
Abajejwe nyamukuru ihinyanyura bategerezwa gukurikiza ingingo zunganira ziri muri iki gice.

Abajejwe nyamukuru ihinyanyura bategerezwa kwiyandikisha mu Rwego rujejwe gukingira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe, mu mezi atandatu kuva baronse ubwo bubasha.

Urwego ruba rufise igitabu candikwamwo abajejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe.

**Article 35 :**
L'organe de protection peut, après avertissement écrit, resté vain adressée au Responsable majeur de se faire enregistrer dans le délai de six mois peut suspendre les activités dudit responsable pour une période ne dépassant pas trois mois.

Lorsqu'à la fin de la période de trois mois le responsable de traitement ne s'est pas exécuté, l'organe de protection peut lui interdire définitivement de collecter et traiter toute donnée à caractère personnel.

**Ingingo ya 35 :**
Urwego rujejwe gukingira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe, iyo rwagabishije rubicishije mu nyandiko, uwujejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe ntiyiyandikishe mu kiringo c'amezi atandatu, rurashobora kumuhagarika gukora mu kiringo kitarenza amazi atatu.

Ikiringo c'amezi atatu kirangiye uwujejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe atariyandikisha, Urwego rujejwe gukingira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe.rurashobora kumwaka burundu uburenganzira bwo kwegeranya no guhinyanyura ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe.

**Article 36 :**
Un responsable majeur du traitement tient un registre décrivant, pour chaque traitement conduit, les mentions figurant à l'article 17. Il comprend également une description des mesures techniques et organisationnelles adoptées pour mettre le traitement en

**Ingingo ya 36 :**
Uwujejwe nyamukuru ihinyanyura aba afise igitabu cerekana, kw'ihinyanyura rimwerimwe ryose ryakozwe, ivyanditswe biri mu ngingo ya 17. Ico gitabu kiba kirimwo kandi indondoro y'ingingo z'ubuhinga n'indinganizo zemejwe kugira hakorwe ihinyanyura

conformité avec les obligations de la présente loi.

ryisunga ibitegerejwe muri iri bwirizwa.

**Article 37 :**
Un responsable majeur du traitement désigne un délégué à la protection des données. Un tel délégué peut être désigné, par un responsable du traitement ne relevant pas du présent chapitre, s'il le souhaite.

Toutes les désignations sont notifiées à l'Organe qui tient une base de données à jour des délégués.

Un groupe d'entreprises peut désigner un seul délégué à la protection des données.

Des collectivités territoriales du même type peuvent désigner un seul délégué à la protection des données. La désignation d'un délégué commun n'est possible, en toute hypothèse que si ce délégué est en mesure de faire face à l'ensemble des tâches qui lui sont ainsi confiées.

**Ingingo ya 37 :**
Uwujejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe aragena intumwa ijejwe gukingira ivyatororokanijwe. Iyo ntumwa, ishobora kugenwa, n'uwujejwe guhinyanyura atagengwa n'iki gice, iyo avyipfuza.

Abagenywe bose barameyeshwa Urwego rukaja rurabashira mw'itororokanirizo ry'intumwa rusanzwe rufise.

Umugwi w'amashirahamwe urashobora kugena intumwa imwe ijejwe gukingira ivyatororokanijwe.

Inzego z'intngo z'intwaro ziri ku rugero rumwe zirashobora kugena intumwa imwe ijejwe gukingira ivyatororokanijwe. Hashobora kugenwa intumwa rusangi ari uko, ku cofatirwako cose, ashobora gukora ibikorwa vyose ashinzwe.

**Article 38 :**
Le délégué est associé, en temps utile, à toutes les questions touchant à la protection des données à caractère personnel. Il mène, spontanément ou sur demande, des actions de formation, de sensibilisation et de conseil. Il alerte sur tout risque de violation de la présente loi. Il fait office de point de contact avec l'Organe.

**Ingingo ya 38 :**
Intumwa iraterera, mu mwanya ubereye, mu gutorera umuti ibibazo vyose vyerekeye ugukingira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe. Arakora avyibwirije canke abisabwe ibikorwa vyerekeye inyigisho, uguhimiriza n'ugutanga impanuro. Arabura ico cose cotuma iri bwirizwa rihonyangwa. Ni we ajejwe kuvugana n'Urwego.

**Article 39 :**
Le délégué bénéficie du temps, des moyens et de la formation régulière nécessaires à la conduite de sa fonction. Il ne peut recevoir aucune instruction, ni ne peut faire l'objet d'aucune sanction en lien avec l'accomplissement de ses missions par le délegant. Il ne rend compte qu'au plus haut niveau dans la hiérarchie du responsable du traitement

**Ingingo ya 39 :**
Intumwa iraronswa umwanya, uburyo n'inyigisho buri gihe bikenewe kugira ikore neza umurimo ijejwe. Nta tegeko ishobora guhabwa canke igihano n'uwayitumye bifatiye ku kuntu yaranguye imirimo yayo. Ivyo ikora ibimenyesha gusa mu rwego rwo hejuru rukurira uwujejwe ihinyanyura.

**Article 40 :**

Un responsable majeur du traitement conduit une analyse d'impact relative à la protection des données, au préalable, à chaque fois qu'il envisage un traitement de données à caractère personnel susceptible de présenter un risque élevé pour les droits et libertés des personnes physiques.

Un tel danger est présumé à chaque fois que le traitement repose sur des données visées à l'article 9.

L'Organe de protection des données à caractère personnel peut adopter une liste de situations supplémentaires dans lesquelles une analyse d'impact est requise.

**Ingingo ya 40 :**

Uwujejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe abanza imbere ya vyose, kwihweza inkurikizi zijanye n'ugukingira ivyatororokanijwe, mu gihe cose ategekanya uguhinyanyura ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe vyotuma hibonekeza icobangamira bikomeye uburenganzira n'ukwishira n'ukwizana kw'abantu.

Ukwo kubangamirwa gufatwa ko kuriho igihe cose habaye ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe bivugwa mu ngingo ya 9.

Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe rurashobora gushiraho urutonde rw'ibindi bishobora gufatirwako bitegerezwa kugirirwa umwihwezo w'inkurikizi.

**Article 41 :**

L'analyse d'impact comprend une étude approfondie des risques, de nature juridique ou technique, que le traitement fait courir aux individus aux regards des grands principes de l'article 6, en particulier des risques relatifs à la sécurité des données.

L'analyse d'impact comprend également un examen détaillé des mesures techniques et organisationnelles prévues pour atténuer ces risques.

L'analyse est soumise au délégué à la protection des données, qui en apprécie le sérieux en toute indépendance et fait part de ses préoccupations. Il est tenu le plus grand compte de ses observations, après quoi l'analyse est endossée par le responsable du traitement.

L'analyse d'impact est alors adressée à l'Organe de protection des données à

**Ingingo ya 41 :**

Umwihwezo w'inkurikizi urimwo icigwa cimbitse c'ibishobora gushika gifatiye ku mategeko canke ubuhinga bituma ihinyanyura ribangamira abantu, hafatiwe ku ngingo nkurunkuru zitegekanywa n'ingingo ya 6, na canecane ibijanye n'umutekano w'ibitororokanywa.

Umwihwezo w'inkurikizi ugizwe kandi n'isuzumwa rigirwa ata cirengagijwe na kimwe rijanye n'ubuhinga n'itunganywa bitegekanijwe mu ntumbero yo kugabanya izo nkurikizi.

Umwihwezo ushikirizwa intumwa ijejwe gukingira ibitororokanywa, na yo ikaraba, mu mwidegemvyo, ko wakozwe neza kandi ikongera igashikiriza amakenga isanzemwo. Ivyo ishikirije birafatirwako uwo mwihwezo ugaca witirirwa uwujejwe ihinyanyura.

Umwihwezo w'inkurikizi uca urungikirwa Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa

caractère personnel, assortie d'une demande d'autorisation du traitement et examinée selon la procédure prescrite.

vyerekeye umuntu ubwiwe, uri kumwe n'urwandiko rusaba uruhusha rwo guhinyanyura ivyatororokanijwe kandi ugasuzumwa hisunzwe ibikurikizwa bisanzwe bitegekanijwe.

## CHAPITRE V : DE L'ORGANE CHARGE DE LA PROTECTION DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL

## IGICE CA V : IVYEREKEYE URWEGO RUJEJWE GUKINGIRA IBITORORORKANYWA VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE

**Article 42 :**
Un organe de protection des données à caractère personnel, dénommé « Agence de protection des données à caractère personnel », veille à l'application des dispositions de la présente loi.

L'organe de protection des données à caractère personnel contrôle le traitement de données à caractère personnel et veille à ce que les traitements des données à caractère personnel soient mis en œuvre conformément aux dispositions de la présente loi.

Un décret détermine les missions, la composition, l'organisation et le fonctionnement de l'Agence de protection des données à caractère personnel.

**Ingingo ya 42 :**
Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe rwiswe « Ikigo kijejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe», rwitwararika gukurikirana ko ingingo ziri muri iri bwirizwa zikurikizwa.

Urwego rujejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe, kiracungera ihinyanyurwa ryayo kikongera kikitwararika ko Ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bikorwa hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu riratomora imirimo y'Ikigo kijejwe gukingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe, abakigize, ingene gitunganijwe n'ingene gikora.

## CHAPITRE VI : DES OBLIGATIONS DU RESPONSABLE DE TRAITEMENT DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL

## IGICE CA VI : IBITEGEREJWE UWUJEJWE GUHINYANYURA IBITORORORKANYWA VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE

**Article 43 :**
Le traitement des données à caractère personnel est confidentiel. Il est effectué exclusivement par des personnes qui agissent sous l'autorité du responsable du traitement et seulement sur ses instructions.

Pour la réalisation du traitement, le responsable doit choisir des personnes présentant, au regard de la préservation de la confidentialité des données, toutes les

**Ingingo ya 43 :**
Ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bigumizwa mw'ibanga. Rikorwa gusa n'abantu bakora kw'izina ry'uwujejwe ihinyanyura ry'ibitororokanywa hisunzwe ibikurikizwa yatanze.

Ku vyerekeye ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe, hafatiwe ko ivyatororokanijwe bitegerezwa kugumizwa mw'ibanga, uwubijejwe arahitamwo abantu

garanties tant de connaissances techniques et juridiques que d'intégrité personnelle.

abona ko bashoboye kugumya ibanga ry'ivyatororokanijwe, bafise ubuhinga n'ubumenyi bukwiye mu vyerekeye amategeko kandi bafise n'ubuntu.

Un engagement écrit des personnes amenées à traiter de telles données à respecter la présente loi doit être signé.

Urwandiko rw'ukwiyemeza gukurikiza iri bwirizwa rugirwa n'abantu bajejwe guhinyanyura ibitororokanywa nk'ivyo rutegerezwa gushirwako umukono.

**Article 44 :**

Le responsable du traitement adopte les mesures nécessaires pour protéger l'intégrité et la confidentialité des données à caractère personnel, notamment pour empêcher qu'elles soient déformées, dénaturées, endommagées ou que des tiers non autorisés y aient accès.

**Ingingo ya 44 :**

Uwujejwe ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe ategerezwa gufata ingingo zose zikenewe kugira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe ntivyononekare kandi bigume mw'ibanga canecane mu ntumbero yo kubuza ko bihindurwa, hagira igikurwamwo cotuma bihinduka, vyononwa canke kubuza ko abandi bantu batabirekuriwe bobigirako uburenganzira.

Il prend, en particulier, toute mesure visant à:

1° Garantir que, pour l'utilisation d'un système de traitement automatisé de données, les personnes autorisées ne puissent accéder qu'aux données à caractère personnel relevant de leur compétence ;

2° Permettre que puisse être vérifiée et constatée l'identité des tiers auxquels des données à caractère personnel peuvent être transmises ;

3° Garantir que puisse être vérifiée et constatée *a posteriori* l'identité des personnes ayant eu accès au système d'information et quelles données ont été lues ou introduites dans le système, à quel moment et par quelle personne ;

4° Empêcher toute personne non autorisée d'accéder aux locaux et aux équipements utilisés pour le traitement des données ;

Arafata na canecane ingingo iyo ari yo yose ituma:

1° Mw'ikoreshwa ry'ubuhinga bw'ihinyanyura ry'ibitororokanywa imashini ivyibwirije, abantu babirekuriwe bashobora kuronswa gusa ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe biri mu vyo bafitiye ububasha ;

2° Umwidondoro w'abandi bantu bashobora kurungikirwa ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe ushobora guhinyuzwa no kumenyekana ;

3° Hahinyuzwa kandi hamenyekana mu nyuma umwidondoro w'abandi bantu baronse uburenganzira bwo gukoresha uburyo bw'uguhanahana amakuru kandi ko ibitororokanywa vyasomwe canke vyashizwe mu buhinga bw'imashini, igihe vyabereyeko n'uwabikoze ;

4° Umuntu wese atabirekuriye atinjira mu nyubakwa kandi ntashike ahari ibikoresho bikoreshwa

5° Empêcher que des supports de données puissent être lus, copiés, modifiés, détruits ou déplacés par une personne non autorisée ;

6° Lutter contre l'introduction non autorisée de toute donnée dans le système d'information ainsi que toute prise de connaissance, toute modification ou tout effacements non autorisés de données enregistrées ;

7° Eviter que des systèmes de traitement de données puissent être utilisés par des personnes non autorisées à l'aide d'installations de transmission de données ;

8° S'abstenir que lors de la communication de données et du transport de supports de données, les données puissent être lues, copiées, modifiées ou effacées de façon non autorisée ;

9° Sauvegarder les données par la constitution de copies de sécurité ;

10° Rafraîchir et, si nécessaire, convertir les données pour un stockage pérenne ;

11° Prendre toute autre mesure utile pour s'assurer que les données à caractère personnel traitées peuvent être exploitées quel que soit l support technique utilisé et particulièrement s'assurer que l'évolution de la technologie ne soit pas un obstacle à l'exploitation.

mw'ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe ;

5° Ibibitsweko ivyatororokanijwe bidashobora gusomwa, kwimurirwa ku kindi kintu, guhindurwa canke kuzimanganywa canke kwunguruzwa n'umuntu atabifitiye uruhusha ;

6° Hagwanywa iyinjizwa ry'icatororokanijwe cose ata ruhusha, mu buhinga bw'ukubika amakuru hamwe n'icomenyekana cose, icohindurwa canke icofutwa bitatangiwe uruhusha ku vyatororokanijwe bibitswe ;

7° Ubuhinga bw'ihinyanyura ivyatororokanijwe budashobora gukoreshwa n'abantu batabirekuriwe hakoreshejwe ivyashizweho bifasha mu guhanahana ivyatororokanijwe ;

8° Mu gihe c'uguhanahana ivyatororokanijwe no mu kwunguruza ivyo bibitsweko, ivyatororokanijwe bitosomwa, bitokwimurirwa ku kindi kintu, bitohindurwa canke bitofutwa mu buryo butemewe ;

9° Hakingirwa ivyatororokanijwe mu kubika ahandi hantu amakopi y'ivyatororokanijwe ;

10° Hashirwa ku gihe iyo bikenewe hagahindurwa ivyatororokanijwe kugira bishingurwe ku buryo buramba;

11° Hafatwa ingingo yindi yose yokenerwa kugira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bihinyanyuwe bishobore gukoreshwa hatarabwe ico bibitsweko kijanye n'ubuhinga cakoreshejwe na canecane hitwararitswe ko iterambere ry'ubuhinga ritoba intambamyi mw'ikoreshwa ryavyo.

**Article 45 :**

En cas de violation des obligations découlant du traitement de données à caractère personnel susceptible d'engendrer un risque pour les droits et libertés des personnes concernées, le responsable du traitement la notifie à l'Organe dans les meilleurs délais, et au plus tard dans les 48 heures après en avoir pris connaissance.

Si la notification est tardive, elle est accompagnée des motifs du retard.

La notification doit décrire la nature de la violation, les conséquences probables ainsi que les mesures prises par le responsable du traitement pour atténuer les dommages qu'elle peut causer.

**Ingingo ya 45 :**

Mu gihe harenzwe ku bitegerejwe bivuye kw'ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bishobora gutuma haba ingaruka ku burenganzira n'ukwishira n'ukwizana vy'abantu vyerekeye, uwujejwe ihinyanyura arabimenyesha Urwego mu maguru masha kandi hatarenze amasaha 48 amaze kubimenya.

Iyo bimenyeshejwe ayo masaha yarenze, urwandiko rwo kubimenyesha rurerekana imvo zatumye bicererwa,

Urwandiko rubimenyesha rutegerezwa kudondora ihonyangwa ryakozwe iryo ari ryo, inkurikizi zishobora kuba hamwe n'ingingo zafashwe n'uwujejwe ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe mu ntumbero yo kugabanya ivyokwononekara.

**Article 46 :**

En cas de violation des obligations découlant du traitement de données à caractère personnel susceptible d'engendrer un risque élevé pour les droits et libertés des personnes concernées, le responsable du traitement la notifie auxdites personnes concernées, dans un délai maximum de 96 heures après en avoir pris connaissance.

La notification doit décrire, en termes clairs et simples, la nature de la violation, ses conséquences possibles pour les personnes concernées, les mesures prises par le responsable du traitement pour atténuer les dommages que la violation peut causer ainsi que les mesures que les personnes concernées peuvent mettre en œuvre elles-mêmes pour se protéger des conséquences de la violation.

**Ingingo ya 46 :**

Mu gihe habaye ihonyangwa ry'ibitegerejwe bivuye kw'ihinyanyurwa ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe bishobora gutuma haba ingaruka nini ku burenganzira n'ukwishira n'ukwizana vy'abantu vyerekeye, uwujejwe ihinyanyura arabimenyesha abantu vyerekeye, mu kiringo kitarenze amasaha 96 amaze kubimenya.

Urwandiko rwo kubimenyesha rutegerezwa kudondora neza, mu majambo yumvikana kandi yoroshe, ihonyangwa ryakozwe iryo ari ryo, inkurikizi zishobora gushika ku bantu vyerekeye, ingingo zafashwe n'uwujejwe ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe kugira ivyononekara vyoterwa n'iryo honyangwa bigabanuke, hamwe n'ingingo abantu vyerekeye bashobora kwifatira bo nyene kugira bikingire inkurikizi z'iryo honyangwa.

## CHAPITRE VII : DES DISPOSITIONS PENALES

## IGICE CA VII : INGINGO MPANAVYAHA

**Article 47 :**
Toute violation de données à caractère personnel est punie:

1° de six mois à cinq ans de servitude pénale et d'une amende de deux millions à quinze millions de francs burundais ou de l'une de ces peines seulement si l'auteur est une personne physique ;

2° d'une amende de vingt millions à cinquante millions de francs burundais si l'infraction a été commise par une personne morale de droit privé.

Lorsque la personne morale est un responsable majeur de traitement, il peut être prononcée :

1° la suspension d'activité pour une période ne dépassant pas six mois en cas de récidive ;

2° une fermeture d'établissement lorsque l'infraction a été commise dans l'intention délibérée de commettre une autre infraction.

**Ingingo ya 47 :**
Uguhonyanga ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe ukwo arikwo kwose guhanishwa :

1° Umunyororo uri hagati y'amezi atandatu n'imyaka itanu n'ihadabu riri hagati y'imiriyoni zibiri n'imiriyoni cumi na zitanu z'amafaranga y'amarundi canke igihano kimwe muri ivyo conyene iyo uwakoze icaha ari umuntu ;

2° Ihadabu riri hagati y'imiriyoni mirongo ibiri n'imiriyoni mirongo itanu z'amafaranga y'amarundi mu gihe uwakoze icaha ari ishirahamwe ry'abikorera ivyabo ;

Mu gihe iryo shirahamwe ari Uwujejwe nyamukuru guhinyanyura ivyatororokanijwe, hashobora gushikirizwa igihano co:

1° uguhagarika ibikorwa mu kiringo kitarenza amezi atandatu mu gihe uwakoze icaha ari uwisubirije mu vyaha ;

2° ukwugara ishirahamwe mu gihe icaha cakozwe nkana mu ntumbero yo gukora ikindi caha.

**Article 48 :**
Quiconque a, même en l'absence de violation de données à caractère personnel, collecté ou traité les données de manière déloyale, illicite ou non transparente au regard des personnes concernées pour des finalités non déterminées, non explicites, illégitimes, non compatible avec les finalités originaires est punie :

1° de six mois à cinq ans et d'une amende de cinq cent mille à dix millions ou de l'une de ces peines seulement si l'infraction a été commise par une personne physique ;

**Ingingo ya 48 :**
N'iyo hatobamwo ihonyangwa ry'ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe, uwegeranije canke uwahinyanyuye ivyatororokanijwe mu buryo bwonona, bunyuranye n'amategeko canke butagaragara ku bo vyerekeye mu bijanye n'ico bigenewe mu kutagaragara kutibonekeza bitemewe canke bidahuye n'intumbero vyari bitegekanirijwe ahanishwa:

1° umunyororo uri hagati y'amezi atandatu n'imyaka itanu hamwe n'ihadabu riri hagati y'ibihumbi amajana atanu n'imiriyoni cumi y'amafaranga y'amarundi canke igihano

kimwe conyene muri ivyo iyo icaha cakozwe n'umuntu ;

2° d'une amende de cinq à vingt millions de francs burundais si l'infraction a été commise par une personne morale de droit privé.

2° ihadabu riri hagati y'imiriyoni zitanu n'imiriyoni mirongo ibiri z'amafaranga y'amarundi mugihe icaha cakozwe n'ishirahamwe ry'abikorera utwabo.

La peine prévue au 2° du premier alinéa du présent article est portée au double lorsque l'infraction a été commise par un responsable majeur de traitement.

Igihano gitegekanijwe mu gace ka 2° mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo kigwizwa na kabiri mu gihe icaha cakozwe n'uwujejwe nyamukuru ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe.

**Article 49 :**

Est punie d'une servitude pénale d'un an à dix ans et d'une amende de cinq cent mille à dix millions ou de l'une de ces peines seulement toute personne physique qui s'est opposée au traitement de données à des fins archivistiques dans l'intérêt public, à des fins de recherche scientifique ou historique ou à des fins statistiques.

Lorsque l'infraction prévue à l'alinéa premier du présent article a été commise par un responsable majeur de traitement la peine sera d'une amende de dix à cinquante millions de Francs burundais.

**Ingingo ya 49 :**

Ahanishwa umunyororo uri hagati y'umwaka umwe n'imyaka icumi hamwe n'ihadabu riri hagati y'ibihumbi amajana atanu n'imiriyoni icumi canke igihano kimwe muri ivyo conyene umuntu yabereye intambamyi ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe kugira bishingurwe ku neza ya bose, iy'ubushakashatsi, akahise canke ibiharuro mfatirwako.

Mu gihe icaha gitegekanijwe mu gace ka mbere k'iyi ngingo cakozwe n'uwujejwe ihinyanyura nyamukuru, igihano kingana n'ihadabu riri hagati y'imiriyoni icumi n'imiriyoni mirongo itanu z'amafaranga y'amarundi.

**Article 50 :**

Est punie d'une amende d'un million à cinq millions de Francs burundais le fait de traiter des données à caractère personnel qui font apparaître, directement ou indirectement, les origines raciales ou ethniques, les opinions politiques, philosophiques ou religieuses, l'appartenance syndicale des personnes ou des données relatives à la santé ainsi que de traiter des données biométriques aux fins d'identifier une personne physique de manière sélective.

**Ingingo ya 50 :**

Harahanishwa ihadabu riri hagati y'umiriyoni umwe n'imiriyoni zitanu z'amafaranga y'amarundi uguhinyanyura ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe vyerekana ku mugaragaro canke biciye mu buryo ubwo ari bwo bwose ubwoko bw'umuntu, urukoba, ivyiyumviro vya poritike, amadini canke sendika vy'abantu canke mbere ibitororokanywa vyerekeye amagara y'umuntu hamwe rero n'uguhinyanyura ibitororokanywa mu buhinga bwa none biranga umuntu bifatiye kuri kamere bidondora umuntu mu kumutandukanya n'abandi.

**Article 51 :**
Les sanctions prévues au présent chapitre ne font pas obstacle aux dispositions pénales prévues dans d'autres lois notamment la loi portant prévention et répression de la cybercriminamlité et le Code pénal.

**Ingingo ya 51 :**
Ibihano bitegekanijwe muri Kino gice ntibibera intambamyi ikurikizwa ry'ingingo mpanavyaha zitegekanijwe mu yandi mabwirizwa nk'ibwirizwa rikinga rikongera rigahana ubukozi bw'ikibi bukorwa biciye mu buhinga ngurukanabumenyi n'Igitabu mpanavyaha.

## CHAPITRE VIII : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

## IGICE CA VIII : INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Article 52 :**
Les traitements de données opérés avant l'entrée en vigueur de la présente loi pour le compte de l'Etat, d'un établissement public, d'une collectivité locale ou d'une personne morale de droit privé chargée d'une mission de service public, ne sont soumis qu'à une déclaration auprès de l'Organe de protection des données à caractère personnel.

**Ingingo ya 52:**
Ihinyanyura ry'ivyatororokanijwe vyaranguwe imbere y'uko iri bwirizwa rija mu ngiro kw'izina rya Reta, ikigo ca Reta, urwego rw'intango rw'intwaro canke kw'izina ry'ishirahamwe ry'abikorera utwabo rirangura imirimo yerekeye ineza ya bose, bimenyeshwa gusa Urwego rujejwe gukingira ivyatororokanijwe vyerekeye umuntu ubwiwe.

**Article 53 :**
A compter de la date d'entrée en vigueur de la présente loi, tous les traitements de données doivent répondre aux prescriptions de celle-ci, dans les délais ci-après :

1° Une année pour les traitements de données opérés pour le compte de l'Etat, d'un établissement public, d'une collectivité locale ou d'une personne morale de droit privé chargée d'une mission de service public ;

2° Six mois pour les traitements de données à caractère personnel effectuées pour le compte de personnes autres que celles visées au point 1°.

**Ingingo ya 53 :**
Kuva kw'igenekerezo iri bwirizwa ritanguriyeko gukurikizwa, ihinyanyura ryose ry'ibitororokanywa ritegerezwa kwisunga ibitegekanijwe n'iri bwirizwa mu biringo bikurikira :

1° Umwaka umwe kw'ihinyanyura ry'ivyatororokanywa vyaranguwe kw'izina rya Reta, ikigo ca Reta, urwego rw'intango rw'intwaro canke kw'izina ry'ishirahamwe ry'abikorera utwabo rirangura imirimo yerekeye ineza ya bose;

2° Amezi atandatu kw''ihinyanyura ry'ivyatororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe vyaranguwe kw'izina ry'abandi bantu atari abavugwa mu karongo ka 1°.

**Article 54 :**
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Ingingo ya 54:**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Article 55 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Ingingo ya 55:**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Fait à Gitega, le.../.../2025**

**Evariste NDAYISHIMIYE**

**Bigiriwe i Gitega, ku wa .../.../2025**

**NDAYISHIMIYE Evariste**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE, DES DROITS DE LA PERSONNE HUMAINE ET DU GENRE**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE, AGATEKA KA ZINA MUNTU N'ITERAMBERE RIDAKUMIRA**

**Arthémon KATIHABWA**

**KATIHABWA Arthémon**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**PROJET DE LOI N°1/ .........DU ........./ ........./ 2025 PORTANT PROTECTION DES DONNEES A CARACTERE PERSONNEL**

**INTEGURO Y'IBWIRIZWA INOMERO 1/...... RYO KU WA ....../....../2025 RIKINGIRA IBITOROROKANYWA VYEREKEYE UMUNTU UBWIWE**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Vu la loi organique n°1/05 du 16 mars 2023 portant détermination et délimitation des provinces, des communes, des zones, des collines et/ou quartiers de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 ritomora rikongera rigashinga imbibe z'intara, iz'amakomine, iz'amazone, iz'imitumba canke iz'amakaritiye vya Repuburika y'Uburundi ;

Vu la loi organique n°1/18 du 07 juin 2024 portant réorganisation de l'administration communale ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/18 ryo ku wa 7 Ruheshi 2024 riringaniza gushasha intwaro y' amakomine ;

Vu le décret-loi n°1/024 du 28 avril 1993 portant réforme du Code des personnes et de la famille ;

Yihweje Itegeko bwirizwa inomero 1/024 ryo ku wa 28 Ndamukiza 1993 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu ;

Vu la loi n°1/004 du 30 avril 1999 portant modification de certaines dispositions du Code des personnes et de la famille relative à la filiation adoptive ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/004 ryo ku wa 30 Ndamukiza 1999 rihindura ingingo zimwe zimwe z'Igitabu c'amategeko agenga Ingo n'abantu ku vyerekeye abana b'abarerano ;

Vu la loi n°1/013 du 18 juillet 2000 portant réforme du Code de la nationalité ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/013 ryo ku wa 18 Mukakaro 2000 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ubwenegihugu ;

Vu la loi n°1/08 du 30 juin 2007 portant

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 30